LIGUE BURUNDAISE DES DROITS DE L'HOMME " ITEKA "


# BULLETIN HEBDOMADAIRE

# "Iteka n'Ijambo"

Uwo uri wese ubahirizwa

***N°532 co kuva kuwa 22 gushika kuwa 28 Ruheshi 2026***

**Ryemejwe n'itegeka nshikiranganji nomero530/0273 yo kuwa 10 Munyonyo 1994, risubiramwo itegeko n°550/029 ryo kuwa 6 Ruhuhuma1991**






***Mukwibuka umupfasoni Mariya Korodeta Kwizera, umunyabigega w'ishirahamwe Iteka , yabuzwe irengero kuwa 10 Kigarama 2015. Kuva Kigarama 2015 gushika kuwa 28 Ruheshi 2026, abantu bashika 874 babuzwe irengero nibo ishirahamwe Iteka ryamenyeshejwe, ni imiburiburi 87 barasubiye kuboneka abandi 787 ntibigeze basubira kuboneka. Umugwi w'igikorwa c'ishirahamwe ry'ibihugu vyunze ubumwe ku kuburwa irengero waramaze kumenyesha Reta y'uBurundi n'imiburiburi abashika 252 babuzwe irengero[1].***

**Umuhari ITEKA :**

- « Ni umunywanyi w'ishirahamwe mpuzabihugu ryo muri Afirika vyegwa n'agateka ka zina muntu,ni umunywanyi akorana n'urunani mpuzamakungu rw'amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu (FIDH),
- Rifise akaranga ko kwihweza imbere y'umurwi wa Afirika uharanira agateka ka zina muntu kuri nomero ivyerekana OBS.236 kandi ni umunywanyi wa ECOSOC ».
- Umuhari teka ugizwe n'inani mpuzamashirahamwe 17 hamwe n'ibisata 32 .

**IBIRIMWO**

*0. INTANGAMARARA......5*

*I. UMWIHWEZO......5*


*II. UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE......8*

*III. UBURENGANZIRA BW'IMIBANO-UBUTUNZI N'IMICO KAMA......12*

*IV. UGUSOZERA N'IBISABWA......13*

# IKARATA Y'INTWARO MU BURUNDI

***INDINGANIZO NSHASHA Y'INTWARO YO KUWA 16 NTWRANTE 2023***



# *IMPFUNYAPFUNYO*

| | |
|---|---|
| **CENI** | **:** Umugwi wigenga ujejwe amatora ku rwego rw'igihugu |
| **CEPI** | **:** Umugwi wigenga ujejwe amatora ku rwego rw'intara |
| **CNDD-FDD** | **:** *Ihuriro ry'igihugu riharanira gukingira intwaro rusangi-urwego rukingira intwaro rusangi* |
| **CNL** | **:** Inama y'abanyagihugu iharanira umwidegemvyo |
| **CODIP** | **:** Urunani rw'amashirahamwe aharanira iterambere ridakumira ry'abanyagihugu |
| **DCE** | **:** Ubuyobozi bw'indero muri komine |
| **DPE** | **:** Ubuyobozi bw'indero mu ntara |
| **ECOFO** | **:** Ishure shingiro |
| **FARDC** | **:** Ingabo za repuburika iharanira demokarasi ya Kongo |
| **FDLR** | **:** Urunani ruharanira gukingira no kubohoza u Rwanda |
| **FDN** | **:** Ingabo zikingira igihugu |
| **FNL** | **:** Urunani rw'igihugu ruharanira ukwidegemvya |
| **FOMI** | **:** Ihinguriro ry'ifumbira y'ikizungu |
| **M23** | **:** Umuhari wo kuwa 23 ntwarante |
| **OPJ** | **:** Inyamiramabi |
| **PADER** | **:** Umugambwe uharanira demokarasi n'ugusubiza hamwe |
| **RDC** | **:** Repuburika iharanira demokarasi mu Burundi |
| **UPRONA** | **:** Urunani ruharanira iterambere ry'igihugu |
| **SNR** | **:** Igendereza ry'igihugu |

# URUTONDE RW'IBIRIMWO


0. INTANGAMARARA.....................................................5

I. UMWIHWEZO.....................................................5

I.1. UMWIHWEZO WA PORITIKE .....................................................5

I.2. UMWIHWEZO W'UMUTEKANO .....................................................6

I.3. UMWIHWEZO W'UBUTUNGANE.....................................................6

I.4. UMWIHWEZO W'INTWARO .....................................................7

II. UBURENGANZIRA KU BANTU NO MURI PORITIKE.....................................................8

II.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA .....................................................8

II.1.1. UBWICANYI BUTEGUYE.....................................................8

II.1.1.1. ABANTU BISHWE N'ABO MURI RETA .....................................................9

II.2. UBURENGANZIRA BWO KUDAKUBAGURWA KU MUTIMA NO KU MUBIRI.................10

II.2.1.UKUBOREZWA IGUFA/UGUPFUNGWA CANKE UGUFATWA BUNYAMASWA N'AYANDI MABI.....................................................10

II.2.2. UGUFATA KU NGUVU.....................................................11

III. UBURENGANZIRA BW'IMIBANO,UBUTUNZI N'IMICO KAMA.....................................................12

III.1. IHUNGABANA RY'UBUTUNZI.....................................................12

III.2.UBURENGANZIRA KU NDERO.....................................................12

IV. UGUSOZERA N'IBISABWA.....................................................13

## 0. INTANGAMARARA

Muri iyi ndwi yo kuva kuwa 22 gushika kuwa 28 Ruheshi 2026,mu gisata c'agateka ka zina muntu hari ibintu biraje ishinga mu Burundi.Iki cegeranyo gishira ahabona ibintu bikomeye bijanye na politike,umutekano,ubutungane n'intwaro,bigaragaza uruhagarara ruri mu gihugu.Ibintu vyaranze iki kiringo ni vyinshi kandi biteye agahinda,vyerekana ihonyangwa ry'agateka k'abantu no muri poritike.

Umuhari Iteka waratohoje amabi ababaje:n'imiburiburi abantu 5 barahasize ubuzima,harimwo abatowe ibiziga 3.Vyongeye,abagore n'abakobwa 4 barafashwe ku nguvu,muribo abana 3 b' abakobwa.Umuntu umwe kandi yaraborejwe igufa.

Mubahuye n'amabi harimwo abagore 2 bishwe hamwe n'umugore 1 hamwe n'abakobwa 3 bakiri abana bafashwe ku nguvu.

Ahanini abagirizwa ubwo bubisha ni urwaruka rw'Imbonerakure,abanywanyib'umugambwe uri ku butegetsi CNDD-FDD hamwe n'abatware n'abapolisi.Naho nyene ababikoze bamwe bamwe batamenyekanye, uburyo bikorwamwo busa n'ubw'iyo migwi,bikazana icuka c'ukudahana.

# I. UMWIHWEZO

## I.1. UMWIHWEZO WA POLITIKE

### Ukugurura ku mugaragaro isamirizi ibiba urwanko mu ntara ya Butanyerera

Kuwa 26 Ruheshi 2026,ku muji wa Buhiga,uri muri komine Ngozi,intara ya Butanyerera, huguruwe ku mugaragaro isamirizi Rondera FM,iremesha amajambo n;ibiganiro vy'amoko bihagaze kuri k'uBurundi hamwe n'akarere.

Thadée Nzigamasabo,ayiserukira imbere y' amategeko akaba n'umuyobozi w'iyo samirizi igira 4 iri mu gisagara ca Ngozi,amenyesha ko Rondera FM ari isamirizi ngira kamaro idasanzwe igamije kumenyesha akahise k'uBurundi mu ntumbero yo kurondera inyishu zibereye ku ntambamyi iki gihugu gihura nazo.

Thadée Nzigamasabo gushika ubu yerekana ibigizwe n'ubwoko bikabiba urwanko mu karere biciye mu migwi y'urubuga WhatsApp kw'izina rya Bimenye Ntacobitwaye Communication Center. Victor Segasago, buramatari w'intara ya Butanyerera, yibutsa ko amasamiri afise uruhara nyamukuru mw'iterambere ry'igihugu,ariko bategerezwa gukora ibishoboka vyose kugira ukuri kuje ahabona kandi hubahirizwe amategeko.Ivyo birori vyaranatewe iteka n' icegera c'umukuru w'inama nkenguzamateka, umunyamabanga nshingwabikorwa wa CNC, n'abandi bashitsi b'iteka.Abarorerezi bishikiye iNgozi bamenyesha ko iyo samirizi ishobora kugarukana urwanko hamwe n'amacakubiri y'amoko vyahekuye uBurundi.

Umuhari Iteka uramaze gushira ahabona amacakubiri aca ku rubuga rw'ishirahamwe Bimenye Communication Center, abarongozi b'uBurundi bagahora.Uko gukoresha ubwoko biguma ari igikoresho c'umugambwe uri ku butegetsi,CNDD-FDD, kugira wiyerekane nk'uwukingira ubwoko bwa benshi,bakareka intumbero nyakuri igana iterambere rirama hamwe na kazoza k'u Burundi.

### Umugambwe CNDD-FDD utegeka abanyagihugu bo mu ntara ya Bujumbura guterera ku nguvu.

Kuva mu ntango ya 2026, itangazo rivuga urugendo rwimirije rwa Réverien NDIKURIYO, umunyamabanga mukuru wa CNDD-FDD, mu ma komine y'iyahoze ari intara ya Cibitoke, ryatumye hatozwa uburyo, abarongoye umugambwe bafata ko bugamije kwakira uwo mwubahwa.Iryo tozwa,abayatanga bita intererano z'agahotoro,ryazanye akababaro mu bakoresha mu bisata bitandukanye nk' indero,amagara n' ubutungane.Abarongozi bo ku mice itandukanye, harimwo abo imitumba

### *I.1. UMWIHWEZO WA poritike (Ibikurikira urupapuro5)*

n'abo amazone,babandanya basaba izo ntrerabo, gutyo bigakora ku mazone no kumicumba ya Mugina, Cibitoke na Bukinanyana. Muri iki gihe, itozwa riba ku buhinga ,kunzu kunzu,ku rugero rwashinzwe kuri 2000fbu ku muryango w' umurimyi,5000 fbu ku mudandaza mutoya wese,hamwe n'intererano ziri hagati ya 10 000,15 000 na 20 000fbu ku bakozi ba Reta bakora ubuzi bwo mu mazone n'amakomine.

Abayakwa,naho benshi ari abanywanyi ba CNDD -FDD,baridoga kubera abisigura canke bakanka gutanga izo ntererano baraturubikwa kandi bagaterwa ubwoba,nko kubima ivyangombwa vyo mu ntwaro,guhindurirwa ubuzi,hamwe no kubima uburusho nko mu kubaduza amapete mu buzi bakora,bikaba ari ihonyangwa ry'amateka shingiro hamwe n'uburenga ku kazi.

### *I.2. UMWIHWEZO W'UMUTEKANE*

***Umuhana waturiwe muri komine Kirundo, intara ya Butanyerera***

Kuwa 22 Ruheshi 2026, hafi isaha 5 z'ijoro, ku mutumba Kinyangurube , zone Gihosha, komine Kirundo n'intara Butanyerera, umuhana w' umushingantahe Kabadugaritse waraturiwe n'abantu bataramenyekana.Kubwo ivyabona vyaho,uwo yarashoboye kurokoka n'aho inzu yatokombeye hamwe n'ubutunzi bwiwe bwoseYahawe indaro ku murwa mukuru wa zone Gihosha mu kurindira ibiva mu matohoza.Bamwe bamwita umurozi naho atabimenyetso biboneka canke ivyagiriji vy'imbere yaho.

## *I.3. UMWIHWEZO W'UBUTUNGANE*

**Abantu babiri bakatiwe umunyororo wo guherayo kumvo zo kwonona imva hamwe no guca ibihimba vy'abashinguwe muri komine Matongo yo mu ntara ya Butanyerera.**

Kuwa 22 Ruheshi 2026, sentare y'intango y'i Matongo mu ntara ya Butanyerera haraciwe urubanza rw'ikibiriraho. Abagirizwa bari Nyabenda ildephonse, Minani Laurent, Ndayishimiye Pontien, Hatungimana Béatrice na Habonimana Régine, bose bo ku mutumba Gitwe muri zone Kabuye yo muri Matongo yo mu ntara ya Butanyerera.

Bagirizwa kuba bari mw'ibara ryaguye kuwa 9 Ruheshi 2026 aho ikiziga c'umukobwa yitwa Akimana Divine bakizuye mw'itongo ry'abapfuye rya Rukoma hanyuma ikiziga ciwe gitorwa bukeye giciye umutwe bakawusanga uri mu mufuko urimwo iyindi mitwe 12. Inyuma y'umwiherero, Nyabenda ildephonse na Ndayishimiye Pontien bagiriwe kwunona imva hamwe no guca ibihimba vy'abapfuye hanyuma bakatirwa umunyororo w'ubuzima bwabo bwose hamwe n'indishi y'akababaro y'amaheraangana imiriyon 10 bazoha umuryango w'uwo yazuwe. Habonimana Regina yagiriwe n'icaha c'amangetengete hamwe n'imigenzo mibi hanyuma akatirwa umunyaroro w'imyaka 2 hamwe n'ihadabu ry'amahera ibihumbi ijana. Abaciriwe urubanza barahakanye ivyo bagirizwa.

Muri urwo rubanza nyene, Minani Laurent na Hatungimana Béatrice barejejwe n' ubutungane bwa sentare y'intango y'i Matongo. Kuwa 27 Ruheshi 2026, iryo bara nyene ryarabaye muri iyo komine nyene ya Matongo aho Ndimurwanko Marie Claire w' imyaka 79 yapfuye hanyuma arashingurwa muri Ntwarante muri uyu mwaka,yarasuwe n'abantu batamenyekanye.

## *I.3. UMWIHWEZO W'UBUTUNGANE(Ibikurikira urupaouro 6)*

**Ubuzima buteye agahinda mu gasho ka Rumonge ( Murembwe) muri komine Rumonge mu ntara ya Burunga**

Umuhari Iteka warabonye muri aya mezi yanyuma abanyoror benshu hamwe n'abakozi bamwe bamwe b'amabohero ku vyerekeye ubuzima bw'abanyororo buteye agahinda aho agateka kabo katubahirijwe. Ibintu bibabaje ni uko amakuru yose yo mu mabohero atandukane yemeza ubuzima buteye agahinda mu mpande zose.

Ubu, umuhari Iteka ubasangiza ubuzima bwo mw'ibohero rikuru rya Rumonge bakunze kwita Murembwe, riri muri zone Gatete,muri komine ya Rumonge,mu ntara ya Burunga kuwa 25 Ruheshi2026.

Mu bisanzwe, ibohero rya Rumonge rifise ubushobozi bwo kwakira abanyororo bangana 800,kuwa 30 Ruheshi 2025,abanyororo bari bangana 1384 ni ukuvuga 173% hamwe,hanyuma inyuma y'umwaka ,kuwa 25 Ruheshi 2026,abanyororo bangana 1620 ni ukuvuga 202,5%. Iduga ringana n'ibice 29.5% mu kiringo c'amezi13 .

Kubwo ayo masoko nyene,abapfungwa bari mu buzimabutubahiriza uburenganzira nshingiro nko mu vyerekeye uburyamo,imfungurwa hamwe n'ubuvuzi. Vyongeye,imvo y'ibitigiri vy'umurengera vy'abanyororo ni ntahara mu bituma haba ubwo buzima buteye agahinda.Kuvyerekeye uburenganzira ku mfungurwa,amasoko yacu amenyesha ko abanyororo baronka gusa imfungurwa rimwe ku munsi,kenshi zigizwe n'ibiharage hamwe n'ubugari bw'ibigori, infungurwa bafata ko ari intica ntikize kugira bafungure bikwiye.

Kuvyerekeye u renganzira ku magara, abanyororo barwaye boba bataronswa ubuvuzi ku gihe kandi kenshi boba basaba ubufasha mu miryango yabo kugira baronka imiti canke ngo bavuzwe.Nho biri uko,abaforoma bariho bakorera mu bigo vy'amabohero,ariko ntibafise haba ibikoresho bibereye haba n'imiti ikwiye. Ayo masoko nyene amenyesha ko kubera abanyororo b'umurengera,abapfungwa benshi ntibafise ivyo ararako ,kandi abapfumgwa ntbakironka kandi imisegetera mugihe ibohero iri impande y'ikiya ca. Tanganyika, akarere kazwi ko imibu yiraye. Ivyo bishobora gutuma bandura indwara ya marariya. Ku bwo amakuru twegeranije,abanyororo banduye iyo ndwara,ntibaronka imiti ya marariya.

Kuri izo ngorane hiyongerako ikibazo c' amazi meza kubera kubwo amasoko twabajije,ibohero rikuru rya Rumonge ntirigira amazi,ivyungura cane uburyo abapfungwa babayemwo kandi bikongereza ikibazo kijanye n'isuku.

## *I.4. UMWIHWEZO W'INTWARO*

### Umukuru wa zone yakuwe mu mabanga yiwe na buramatari w'intara ya Buhumuza

Umukuru wa zone Rugabano, iri muri komine Muyinga, yarakuwe mu mabanga yiwe na buramatari w'intara ya Buhumuza, Denise Ndaruhekere, nkuko bivugwa n'ingingo yo kuwa 24 Ruheshi 2026. Ni uwutwara zone agira 2 akuwe mu mabanga yiwe mu kiringo c'iyinga rimwe muri iyo ntara.Uwambere yakozweko n'ingingo nk'iyo ni umukuru wa zone Gashoho, yakuwe kuwa 17 Ruheshi 2026 ku mvo y'ivyo yagirizwa bijanye n'ugukwirikiza amategeko y'isuku no gusukura.Ku bijanye n'umukuru wa zone ya Rugabano, ivyatumye akurwa ntivyatomowe mw'ikete ryanditswe na buramatari. Ariko rero,twomenyesha ko iyo ngingo yabaye inyuma y'aho bisabiwe n'imana mpanuzwa jambo ya komine mu nama yabaye kuwa 21 Ruheshi 2026.

*I.4. UMWIHWEZO W'INTWARO (Ibikurikira urupapuro 7)*

**Itozwa ry'amahera yagasakisaki rikorwa n'umugambwe CNDD-FDD muri komineRuyigi mu ntara ya Buhumuza**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 27 Ruheshi 2026 imenyesha ko abanyagihugu bo muri karatiye Sanzu, iri muri komine Ruyigi, mu ntara ya Buhumuza, bamenyesha ko baruhijwe n'iryo tozwa ryo kumwa ku mwanya ry'amahera ku gahotoro atozwa n'abanywanyi b'umugambwe CNDD-FDD. Haciye iminsi,begeranya amahera ajanye no guhimbaza umunsi mukuru wo gukunda igihugu.

Ubu naho, ryerekeye amahera agenewe inyubako y' ingoro y'uwo mugambwe nyene muri karatiye Sanzu. Abahaba bikeka ko ari ubisuma bwinyegeje inyuma y'iryo tozwa,mu gihe ata gitasi gitangwa cerekana uwarishe hamwe n'uwuyatoye. Urugo rwose rutegerezwa gutanga amahera 2 000 Fbu, mu gihe urugo rw'abakozi ba Reta hamwe n'abadandaza bategerezwa kuriha amahera 5 000 Fbu. Iryo tozwa ikora ku banyagihu bose,baba abanywanyi canke abatari abanywanyi b' umugambwe CNDD-FDD.

Kuri ivyo,hiyongerako itegeko ry gukora ibikorwa rusangi bitegekanijwe kuwa gatandatu,aho urugo rwose rutegerezwa kuba rufise uagakaye k'umuryango , aho serugo ategerezwa kugatwara mu bikorwa rusangi,kugira umukuru w'umutumba ashiremwo umukono, Iyo kaye itegerezwa kandi kuba irimwo amazina yose yabagize umuryango. Igiporisi,kirikumwe n'urwaruka rw' imbonerakure,bakora ingendo ku rugo ku rugo kugira barabe ko bafise iyo kaye. Mugihe,batayifise,umuryango uriha ihadffabu riva ku mahera ashobora kungana 50 000 .

Abahaba bibaza ko ari ubihingabashizweho n'igiporisi hamwe n' imbonerakure kugira bibe abanyagihugu bibereye mu bukene butagira izina. Kugira umuntu aronke impapuro zo mu ntwaro nk'ikarata karangamuntu hamwe n'izindi mpapuro zitandukanye muri komine canke mu gisata c'ingo n'imiryango,utegerezwa kugenda ujanye agakaye k' umuryango,ivyo abanyagihugu babonako ari akarenganyo,bavugako bategerezwa kuronka izo mpapuro atagisabwe.

# *II. II. UBURENGANZI KURI PORITIKE NO KWIDEGEMVYA*

## *II.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA*

### *II.1.1. UBWICANYI BWATEGUWE*

#### *II.1.1.1. ABANTU BISHWE N'ABAKORERA RETA*

**Umuntu yishwe muri komineNtahangwa mu ntara Bujumbura**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 23 Ruheshi 2026 ivuga ko kuwa 31 Rusama 2026,umunyagihugu yitwa Seif Ntakirutimana yarapfuye kubwo ibikomere,inyuma yogukubitwa n'urwaruka rw' umugambwe uri ku butegetsi kuwa 27 Rusama 2026,muri zone Buterere ya komine Ntahangwa, mu ntara ya Bujumbura.

Hafi y'isaha zitanu z'ijoro,mugihe yitegura ngo atahe muhira iwe,Seif yahagaritswe n'mbonerakure zari zirakizura mw'ijoro. Izo mbonerakure,zamusavye karangamuntu. Uwo mwanya ntako yari yagendanye,uwo yishwe yabasavye ko bojana muhira iwe kugira agatore. Izo mbonerakure zaranse hanyuma bamujana ku nguvu ahantu amazi mabi yose ahurira,bakunze kwita« muma besani». Aho,baramukubise cane gushika aho ata ubwenge,imbere yo kumutaho.

Inyuma yo gutora ubwenge,Seif yarashoboye gushika muhira acumbagiza. Kubwo izo nkoni,yateye aremba,kutiyegura,inyuma y'iminsi mike,Seif yitavye

## *II.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA(Ibikurikira urupapuro 8)*

Imana kubera ukuborezwa igufa kuwa 31Rusama 2026.

Bamuhamvye yaraye apfuye kw'itongo ry'abapfuye ryo Mpanda. Inyuma y'iryo bara ,umukuru w'umugwi w' imbonerakure yarimwo mubamuboreje igufa,azwi kw'izina rya Élie,yarahagaritswe n'indongozi kandi ubu ari mu gasho ka Mpimba.

### *II.1.1.3. ABANTU BISHWE N'ABANTU BATAMENYEKANYE CANKE IBIZIGA VYATOWE*

### Ikiziga c'umugore catowe muri komine Murwi mu ntara ya Bujumbura

Mu gitondo co kuwa 22 Ruhenshi 2026, ku mutumba na zone Gitohera, muri komine Murwi mu ntara ya Bujumbura,ikiziga ca Annociate NIYONZIMA, w' imyaka26 , ava ku mutumba Nyamugari,muri komine Muramvya, intara ya Gitega, yatowe ikiziga kiri kuri uyo mutumba.

Kubwo ivyabona vyaho,AAnnociatte yishwe mw'ijoro ryo kuwa 21 Ruheshi inyuma yo kwitaba iterefone y' umugabo w'umuhabara . Uwo mugabo yari yamuteye inda kandi yari hafi kwibaruka. Kubw'izo ntahe nyene, Annociate NIYONZIMA yari yahukanye n'umugabo wa mbere bafitaniye abana babiri hamwe n'uwundi umwe yari yavyaye atararongorwa. Ayo masoko amenyesha ko umuryango w'umugabo agira kabiri wa Annociate bavuga ko atazovyara.Ababa ku mutumba Gihotera bavuga ko babazwa n'inyifata y'indondozi zimwe zimwe zihutira guhamba ibiziga vyatowe hadakozwe amatohoza. Tubamenyeshe ko ikiziga ca Annociate NIYONZIMA cahambwe mu gitondo co kuwa 23 Ruheshi 2026 kuri uyo mutumba nyene.

### Ikiziga catowe muri komine Tangara mu ntara ya Butanyerera

Kuwa 23 Ruheshi 2026, hafi y'isaha cumi na zibiri z' umugoroba,ku mutumba Nkoto, muri zone Taba, muri KomineTangara, mu natara yaButanyerera,ikiziga c' umusore atamenyekanye w'imyaka iri hagati ya 15 na 17 caratowe. Kubwo ivyabona vyabone ico kiziga,uwo muhungu yaciwe umutwe n'abantu batamenyekanye kandi yabonywe ubwa mbere n'abana bariko barasenya. Ikiziga ciwecajanywe mu buruhukiro bw'ikigo c'ubuzima ca Nyarunazi mu kurindira ko ashingurwa,kw'itegeko ryatanzwe na musitanteri wa komine Tangara Jean Pierre NDIKURYAYO. Ababa ku mutumba Nkoto basaba ko amatohoza yimbitse kugira hamenyekane imvo hamwe n'abakoze iryo bara.

### Ikiziga c'umuntu atamenyekanye catowe impande y'uruzi Ruvyironza.

Kuwa mbere,igenekerezo rya 22 Ruheshi 2026, hafiy'isaha zine z'umutaga,ikiziga c'umugabo w'imyaka hafi mirongo itanu,ataramenyekana,caratowe mu mugazo w'uruzi Ruvyironza, ku ruhande rw'umutumba Rwingiri, muri komine n'intara ya Gitega, hafi y' imetero 100 y'ikiraro gihuza amakomine ya Bugendana na Gitega kw'ibarabara ryaRN15 (Gitega–Ngozi).

Ku bwo isoko ryacu, ni abarimyi batoye ico kiziga . Abahaba batangara ko abarimyi aribo batoye ico kiziga mugihe ikirindiro c'abaporisi bajejwe gucunga ikiraro kiri mu metero ziri munsi 100 uvuye aho ikiziga catowe.

Kubwo iryo soko nyene,uwo yatowe ikiziga yari yakomeretse cane mu ruhaga kandi ikiziga ciwe cari gitekeye mu mufuko wa parasitike. Abaporisi bajejwe gukinga impanuka barashitse aho vyabereye hafi y'isaha zitandatu z'umutaga hanyuma bajana ikiziga mu buruhukiro bw'ibitaro vya Gitega.

***II.1. IBIRENGANZIRA KU BUZIMA*** *(Ibikurikira urupapuro 9)*

## Urupfu ry'umugore akiri muto yibungenze mw'ihoteri iGitega.

Kuwa gatatu, igenekerezo rya24 Ruheshi 2026, hafi y'isaha cumi n'imwe n'igice zo ku mugoroba,umugore akiri muto w'imyaka 24,yitwa Nduwayezu Francine, umukobwa wa Nduwimana na Ndayishimiye,ava ku mutumba Bugera, muri komine Nyabihanga mu ntara ya Gitega, yapfiriye mu cumba c'ihoteri Nabelle, iri muri karatiye muri komine n'intara ya Gitega.

Ku bwo amasoko yacu, uwo yapfuyr yaje mw'ihoteri hafi y'isaha icenda z'umuhingamo gusaba icumba. Nkuko bisanzwe,yaratanze karangamunu yiwe imber yo kuja mu cumba ciwe.

Umukozi w'iyo hoteri yaramvise mu nyuma ibimenyetso vyatumye yibaza ko ari uyundi muntu barikumwe mu cumba hanyuma yibazako ari uwo barikumwe.

Hafi y'isaha cumi n'imwe na nusu z' umugoroba,babonye umuryango w'icumba ciwe wuguruye,abakozi baragiyeyo kugira bamuhe ikarata karangamuntu yiwe.

Ni kwo gusanga ikiziga ciwe kirambaraye hasi kandi atagikomere na kimwe.

Uwujejwe ihoteri bunonyene yaciye atabaza igiporisi kugira amenyesha ibibaye.

Gishitseho kugira kirabe ivyabaye,inyamiramabi Bitangimana Evelyne yahagaritse uwurongoye iryo hoteri hamwe n'uwundi mukozi kumvo z'amatohoza ku mvo z'urwo rupfu.

***II.2. UBURENGANZIRA BWO KUDAHOHOTERWA KU RUKOBA NO MU NYIFATO***

***II.2.1.UKUBOREZWA IGUFA CANKE UGUFATWA BUNYAMANSWA HAMWE NO GUCINYIZWA***

**Umudandaza yakubiswe n'abaporisi ahakwa gupfa ku kirindiro c'abaporisi ku coKiryama muri komineMatana mu ntaha ya Burunga.**

Umudandaza yitwa Léandre Nsabiraduha, aba muri karatiye Bururi ya komine Bururi,mu ntara ya Burunga, yarakubaguwe kuwa24 Ruheshi 2026 hafi y'isaha cumi z'umuhingamo n'abaporisi ku kirindiro co ku Kiryama,giherereye muri komine ya Matana,intara ya Burunga, kubwo amakuru ava mu masoko yaho.Mu gihe yariko agerageza kugura igitoro,imodoka yiwe y' ibara ryirabura,yo mu bwoko bwa Probox,yaciye ku rutsinga rwashizweho n'abaporisi bajejwe gutunganya itangwa ry'igitoro.

Yaciye yururuka imodoka yiwe kugira abaze ibibaye. Umuporisi Sergent-chef Nzoyisaba J Claude, akorera i Ruvumvu, muri komine Songa, yaramwifatiye. Uwo muporisi n'abandi bakorana amazina atamenyekanye uyo munsi,bamuteye imigere mu gikiriza. Aremvye,uwo yakubiswe yajanywe ku bitaro vya Bururi n'uwo muporisi hamwe n'abandi 2 baporisi 2 bari barindiriye kuronswa igitoro kw'itegeko rya komiseri wa komine Matana Uwo muporisi niwe ubu ariha amahera yo kwivuza ya Leandre yivuriza ku bitaro i Bururi, mu cumba inomero 27. Ayo makuru yemeza kandi yemezwa n'uwo yakubiswe,asaba ko uyo muporisi yohanwa hamwe nabo bakorana.Kw'igenekerezo ryaÀ la date 27 Ruheshi 2026, Léandre yarakiri mu bitari vy'ico kigo.

## *II.2.2. UGUFATA KUNGUVU*

**Umukobwa afise ingorane zo mumutwe yafashwe ku nguvu mu Camazi muri komine Kayanza mu ntara ya Butanyerera.**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 23 Ruheshi 2026 yari amabi ababaje yabaye kuwa 18 Ruheshi 2026,hafi y'isaha zitanu z'umutaga,ku mutumba Canzara, uri muri komine ya Kayanza,mu ntara ya Butanyerera. Umukobwa yitwaB,w'imyaka 16 kandi afise adakomeye neza mu mutwe,yafashwe ku nguvu n'umuntu atamenyekanye. Kubwo intahe twahawe na nyina wiwe,vyari bizwi ko uwo mukobwa yaguma kenshi muhira,kubera yarafise ingorane zo kugenda anyaruka kandi iyo ari n'ahantu kure. Uwo munsi,mugihe nyina wiwe yari gukora mu mirima,yatashe asnga umukobwa wiwe B ariko ararira kandi adashobora guhaguruka.Yaniwe nokuvuga ibihejeje kumushikira, B yatumye urutoke igitsina ciwe akore,vyerekana gutyo ko yababaye.

Abonye ivy,nyina wiwe yakomye induru n' umwiheburo mwinshi abonye amaraso menshi yavuye hamwe n gutabuka cane ku gitsina c' umukowa wiwe. Barandamuwe n'iyo nduru,ababanyi baciye banyaruka gutabarra hanyuma bajana bunonyene uwo mukobwa ku bitaro mu Kayanza kugira ashobore kuronka ubuvuzi bubereye. Inyuma y'ibipimo,baremeje ko B yafashwe ku nguvu n'umugabo akuze,icaha cababaje umuryango wiwe ndetse n'ikibano. Ubu,ariko aravurirwa mu bitaro vyo mu Kayanza.

**Umukobwa yafashwe ku nguvu iNkayamba muri zone Rumonge muri Rumonge mu ntara ya Burunga**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 28 Ruheshi 2026 ivuga ko kuwa 10 Ruheshi 2026,,isaha cumi z' umuhingamo, ayo mabi yabereye ku mutumba Nkayamba, muri zone Rumonge,muri komine Rumonge, mu ntara ya Burunga. Uwitwa M. Ch, w'imyaka14 , yahebeye ishure mu mwaka 6,haciye imyaka 2,ava kuri uyo mutumba, yarafashwe ku nguvu n'uwitwa Ndayisenga Emile,w'imyaka 26,umurovyi w'umubanyi, yahenze umwana mukumuha ubuganuke,niho uwo munsi yamusavye kuja gutora impano yiwe ,hanyuma aramwugarana hanyuma aramushurashuza. Ni ababanyi bumvise induru hanyuma batabara umwana. Yjanywe kuri ABUBEF kugira bamukurikirane. Uwikekwa ko icaha yarahagaritswe hanyuma ajanwa mu gasho ka komisariya ya komine Rumonge.

**Umukobwa yashurashujwe ku mutumba Mutambara muri zone Gatete muri komine Rumonge mu ntara ya Burunga**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 28 Ruheshi ivuga ko kuwa 10 Ruheshi 2026,ku mutumba Mutambara, muri zone Gatete, kuri komine Rumonge mu ntara ya Burunga,umukobwa mutoya yitwa N. A, umunyeshure wo kw'ishure nshingiro Mutambara 2, w'imyaka 13 yarafashwe ku nguvu n' uwitwa Ndayishimiye Idi, umudandaza w'imyaka 22,yamuhamagaye mu nzu y'ubudandarizo yiwe kugira amuhe ibitumbura.

Ni abahita nibo babonye umwana asohotse arira,bamujana mu kigo Humura ya Rumonge kugira bamukurikirane kandi uwikekwa icaha yarahagaritswe hanyuma ajanwa mu gasho ka zone imbere yo kurungikwa mw'ibohero rya komisariya ya komine Rumonge.

**Umukobwa yashurashujwe ku mutumba Cabara muri zone Kigwena muri komine ya Rumonge mu ntara ya Burunga**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 28 Ruheshi 2026 ivuga ko kuwa 9 Ruheshi,ku mutumba Cabara,

## II.2.2. UGUFATA KUNGUVU*(Ibikurikira urupapuro11)*

muri zone Kigwena,muri komine Rumonge,mu ntara ya Burunga,N. E, w'imyaka 38 ,yafashwe ku nguvu mw' ijoro ryo kuwa 9Ruheshi2026,n'abagabo baje umugabo wiwe atariho ari babomora umuryango igihe umugabo yari ku kazi k'ubuzamu. Igihe yatabaza akoma induru,umwe mubagizi banabi yarahunze ariko uwundi yitwa Ndikuriyo Adrien, w'imyaka 30,yarafashwe hanyuma ajanwa mu gasho ka zoneimbere yo kurungikwa mu gasho ka komisariya ka komine ya Rumonge. Uwo yafashwe ku nguvu yajanywe ku kigo c'ubuzima ca Cabara kugira bakurikirane amagara yiwe

# III. UBURENGANZIRA KU MIBANO,UBUTUNZI N'IMICO KAMA

## III.1. IHUNGABANA RY'UBUTUNZI

### Amakenga ku barimyi kw'ibura ry'ifumbire mu ntara ya Bujumbura

Mu ntara ya Bujumbura,umwiheburo mubarimyi inyuma y'igice c'irima B caranzwe n'umwimbu muke. Uwo mubabaro,utewe uruhande runini n'ikene ry' umwavu w'ikizungu utangwa n'ishirahamwe FOMI,wahaye ikibanza umwizero muke ku gice c'irima C,kigezweho ubu. Abarimyi,bari bashizemwo imitahe mw'ifumbire bemerewe bafatiye kuvyo bemerewe, barindiriye umwimbu ushimishije.Ariko,uwo mwizero waraciwe inkokora n'ibiherutse gushikirizwa n' umushikiranganji w'Uburundi, Nestor NTAHONTUYE we mw'ijambo ryiwe,yashikirije amajambo yavuzwe nk'uwukoma akaruru: « *Abasaba ifumbire barongerekanye cane,ariko ishirahamwe FOMI ryahuye n'ingorane ry'ikena ry'amahera y'agaciro,bigatuma bigora kwinjiza ibikoresho vya nkenerwa vyo guhingura ifumbire.* »

Mu cuka cari gisanze kitoroshe,ukwo bariha hamwe n'itangwa ry'ifumbire vyateye impari. Naho abarimyi bategerezwe kuriha imbere yuko baronka ifumbire,itangwa ry'uwo mwavu witezwe ryatuma barindira amezi n'amezi,bigatera ibihuha ko yibwe ikajanwa ahandi. Abarimyi,mu kababarokabo, baranegura ingendo yuko abaranguzi batazwi n' amategeko bikika mu kiza,mugusaba ibiciro vy' umurengera uko bishakiye.

Mu mitumba n'amazone yo muri Bujumbura rural, aho uburimyi bukiri isoko yamukuru ry'ukubaho kuri benshi,imyidogo ni myinshi. I Mugina, Rugombo, Bukinanyana na Mpanda,ibiciro vy'ifumbire ryaraduze gushika ku giciro kirenze urugero: umufuko w'ifumbire yitwa DAP wagurwa hagati ya 370 000 na 400 000 Fbu,umufuko wa Urée hagati ya amafaranga ari hagati ya 90 000 na110 000 ,hamwe n'umufuko wa Imbura uri hagati y'amafaranga 280 000 na 310 000. Ivyo biciro vyirwije 3 canke 4 ku giciro cashinzwe kizwi n'amategeko.Ubwo budasa buri hagati y'abaguzi n'ifumbire,biterwa no kutavugana neza ku mwanya wo kuyitanga,bituma abarimyi bumva umenga barahebwe. Bibazo ko bahebwe n'intwaro isa n' iyatwawe n'urudandazwa aho gutwarira bose bagashira imbere inyungu z'abanyagihigu.

## III.2. UBURENGANZIRA KU NDERO

### Itegurwa ry'ikibazo ca Reta giteye impari ku barongozi b'amashure, abigisha n'abavyeyi biyamiriza igisata c'indero muri zone Makamba mu ntara ya Burunga

Mu gihe himirije ikibazo ca Reta ku baheza amashure yisumbuye,igihuhusi c'impari kirahungabanije igisata c'indero i Makamba, zihagaze kuri Emmanuel Nkunzimana, umukozi ajejwe igisata c'indero muri zone. Abarongozi b'amashure,abigisha,abavyeyi hamwe n'abazokora ico kibazo bamwagiriza gutegeka uko bagira isubiramwi ariko ribahungabanya,rituma abanyeshure bayoberwa mu gutegura ico kibazo. Nkunzimana asigura iyo ngingo ,yemeza ko yashatse ko abanyeshure bakurikiranwa mugutegura ikibazo. Ariko,intumbero yo kwegeranya abanyeshure bazokora ico kibazo mu mashure yatanzwe

## III.2. UBURENGANZIRA KU NDERO *(Ibikurikira urupapuro 12)*

yateye akababaro kuri bose. Igisata c'indero cibaza akamaro k'iyo mpinyanyuro hamwe no kwubahiriza intumbero y"ishure iwe yose.

Impari zunyuwe n'ubutumwa buhamagara abazokora ikibazo bose n'abavyeyi babo mu nama ibera kw'ishure ryegukira komine ryitiriwe umweranda Pierre Claver. Abayobozi benshi bafise amakenga kuri iryo tangazo babona ko ridatomoye. Mu nama,Nkunzimana yoba yamenyesheje uko abanyeshure bazokwiragizwa mu mashure batoye mu ntumbero yo kubandanya isubiramwo. Ukunegura ubwo buryo vyibutsa ivyabaye imbere yaho bisa n'ivyo vyahungabanije utunganywa ry'ivyigwa ku mashure. Ubwoba bwabo ni uko,ukuvanga abanyeshure b'imice itandukanye bibangamira abateguwe neza.

Abarongozi bamenyesha ikirere c'akavuyo mu bibanza vyo kwiteguriramwo,barekana ubwinshi bw' abanyeshure bibuza gusubiramwo neza ivyigwa. Ivyabaye yaranatumye umunyeshure ajanwa mu bitaro akomerekejwe na Nkunzimana. Naho abavyeyi bategura kwitwara mu butungane,ntibabibandanije,kubera ivyiyumviro bitandukanye vyatanzwe.Amahera yo kwivuza yoba yatanzwe na Nkunzimana.

Abavyeyi bafise amakenga ku masaha batakaje mugutangura kwitegurira ico kibazo,bafise ubwoba ku mutekano w'abana babo n'ingorane z' ikibano,nk'ugutwara inda zitipfujwe.Nkunzimana asigura ubwo buryo bwokwitegurira ikibazo,mu ntumbero yo gushira abanyeshure hamwe,agabisha abotaha hataragera. Naho biri uko,abigisha benshi bamenyesha ko ukumenya gushingiye ku gukurikiranwa neza ariko atari kubwo ngingo z' agahotoro.

Ku bw'ivyo,igisata c'indero cituye indongozi zo mu ntara hamwe n'izo ku rwego rw'igihugu mu ntumbero yo kurimbura vuba uburyo bwakoreshejwe. Bamwe basaba ndetse n'ibihano kuri Nkunzimana,badomako urutoke ivangura igisata c'indero mu ntara ya Burunga mugihe ikibazo cegereje.

## *IV. UGUSOZERA N'IBISABWA*

Umuhari Iteka uranegura wivuye inyuma itituka ry'agateka ka zina muntu ribandanya kwibonekeza mu Burundi kandi uriyamiriza kudahana abakoze amabi.Uhamagarira abatwara Uburundi gufata ingingo zose zishoboka kandi usaba ibi bikurikira:

**Kuri Reta y'Uburundi:**

**1.**Gukora amatowoza y'ubutungane adahengamye kandi yigenga intambwe kuyindi iyo hatowe ibiziga, kugira hamenyekane abishwe hongere hamenyekane icatumye bicwa.

2.Guha uburenganzira imiryango yabuze bwo kwitura ubutungane hamwe no kuronswa ivyegeranyo vy' igipimo kiraba icatumye uwabo apfa,imbere yo gushingura uwabo

3.Gushira mu ngiro ingingo ruhasha zo kurandurana n'imizi ukudahana gukikuje ubwo bwicanyi,hamwe no gushengeza imbere y'ubutungane bwuzuriza bose abagirizwa ihonyanga ry' agateka ka zina muntu.

4. Guha agaciro ingingo z'intwaro rusangi mu gihe c'amatora kugira ngo bose baserukirwe hamwe no gushiraho intwaro itwarira bose mu Burundi.

5. Gukora amatohoza hamwe no guhana bivuye inyuma amabi akorerwa abana vyabaye ndanse mu Burundi indongozi zohasi hamwe n'abanywanyi b'umugambwe uri ku butegetsi barorera.